## GUTANGURA KUYIKORESHA

Zana kuri orodinatere yawe exe, uyigerageze hanyuma uce utumenyesha ico wiyumvira

exe ziramaze kuboneka igihe ukoresha Windows XP canke Linux. Exe ikoreshwa kuri Mac OS X igiye kuboneka vuba.

Ushaka gutangura kuyishira muri ordinatere yawe rero, banza uzane exe ikenewe kuri Eduorge :

http://eduforge.org/projects/exe

Ushaka kumenya ingene woyishira muri orodinatere yawe, soma agatabu kagenewe abashaka kuyikoresha ku murongo wa Internet :

http://exelearning.org/

## USHAKA GUTERERA WO BIGIRA GUTE?

- Shika umenye ivyerekeye uwo mugambi kuri Eduforge - http://eduforge.org/projects/exe
- Turungikire ico wiyumvira kuri uwo mugambi, ivyo washimye, ivyo wagaye canke intererano iyariyo yose yofasha mugutezimbere uwo mugambi muskwishura utubazo kuri Internet ku murongo: http://exelearning.org/exe_survey/
- Pima ubuhinga mfasha nyigisho buri muri iDevices hanyuma uce utumenyesha ingene yohingurwa neza gusumba.
- Tanga ivyiyumviro kuvyerekeye itegurwa rya iDevices
- Ugahura n'ingorane y'ugukoresha iyo rojisiyere uce ubitumenyesha.
- Duhaye ikaze kuri kode yose yoza iteguye neza

Ushaka kumenyesha ingorane iyo ariyo yose, rungika iciyumviro cawe ku vyerekeye iDevice, koresha Internet kumurongo :kōrero rānei, pā atu ki te pae whakaata kaupapa: http://exelearning.org


Ishure kaminuza ya Auckland
Ikigo cishinze guteza imbere ubuhinga bwo gutanga inyigisho hakoreshejwe inforomatike,
Muri etaje ya kane, mw'igorofa Fisher,
18 Waterloo Quadrant, Auckland, Private Bag 92019
Nouvelle Zelande

Terefone ni : 64 9 373 7999
Fax ni : 64 9 373 7940

Umurongo wa Internet :
Website: http://exelearning.org/
Email: exe@elearning.org


## NI ROJISIYERE EDITERI YA XHTML IKORESHWA MU GUTEGURA INYIGISHO N'UBUHINGA BWA

## INFOROMATIKE

IHINGUWE KU BURYO BWUGURUYE: ITANGWA KU BUNTU KANDI KODE BAYIHINGUYEMWO IRATANGWA KUGIRA UWARIWE WESE ABISHATSE ASHOBORE KUYIGIRA NEZA GUSUMBA

**Site web y'iyo logisiel ni:**

**http://exelearning.org**

EMEL Y'UMURWI W'ABAHINGA BATANGUYE KUYITEGURA NI :

**exe@exelearning.org**

UMUGAMBI WO GUHINGURA IYO ROJISIERE USHIGIKIWE NA KOMISIYO Y'INYIGISHO MU MASHURI YA KAMINUZA YO MURI NOUVELLE ZELANDE>

# INTANGAMARARA kuri exe

exe ni editeur XHTML ifasha abigisha bo mumashure yisumbuye na kaminuza mugutegura ivyigwa vyabo bakoresheje ubuhinga bwa inforomatike, bakabishira no kuri Internet. Bisigura ko iyo editere ifasha abo bose gukora ivyo batarinze kuba abahinga muri XHTML canke XML. exe si ubuhinga bwo ku jera inyigisho, ariko ni ubuhinga bufasha gushira izo nyigisho kuri Internet.

Ukoresheje exe rero, biragufasha gutegura inyigisho uko ushaka ko zimera kandi vyoroshe.

Ihangiro rikuru ry'uwo mugambi wa exe ni ugukomeza ugufashanya kw'abantu muguhererekanya ubumenyi. Uwo mugambi urongowe cane nace n'umugwi w'abigisha bo muri za kaminuza zo muri Nouvelle Zelande.

exe iri mu bwoko by'amarogisiyere afise kode yuguruye. Ivyo bisigura ko iyo rojisiyere ironkwa ku buntu kandi nyene kuyikoresha ashobora kuja muri kode bayihinguje, maze akayihindura kugira ikore ivyo ashaka, kandi ukwo abishaka. Ninaco gituma umugwi ujejwe guteza imbere uyo mugambi uhaye ikaze uwo wese afise ico afasha muri uwo mugambi ; tubasavye kuraba ingene mushobora gufasha muri uwo mugambi aho hejuru.

## IKORESHWA RYAYO

Ikoreshwa ryayo riroroshe cane.

exe igabuwemwo ibice bibiri mwikoreshwa ryayo :
Sidebar na Authoring pane. Sidebar nayo nyene ifise ibihimba bibiri : Outline pane, ikoreshwa mugutegura iringanizwa ry'ivyigwa, na iDevice ( instructional device) pane irimwo ibikoresho bisanzwe vya iDevices. iDevices ni ibintu biringanijwe kugira bifashe kwerekana ibitegerezwa kuja mu nyigisho, nk'akarorero ihangiro, utubazo, n'ibindi.

Koresha Outline pane mugutegura kuri ordinatere yawe ivyo ushaka gushira mu nyigisho zawe mukwongerako ibice vy'ivyigwa. Gushika ubu, urashobora gutegekanya iyi taxonomy wewe nyene ukwo uyishaka. Ucaguye iDevice imwe, uca uronka iDevice igaragara muri Authoring pane, bigaca biguha uburenganzira bwo gushiramwo ivyo wipfuza. Ni ukivuga rero ko icigwa gishibora gukorwa na iDevices nkeya canke nyinshi bivuye ku bigize inyigisho kanaka.

Hariho na editeur ya iDevice muri meni y'ibikoresho ( Outils). Ivyo birorohereza uwushaka gutunganya iDevices ziwe kugira azozikoreshe mu cirwa ciwe akoresheje exe. environment.


## GUSOHORA IVYO

Inyigisho canke ibindi vyateguwe muri eXe bishobora gusohorwa bikamenyeshwa mu buryo bwinshi :


Ushobora kubishira ku murongo wa Internet uri ukwawo birungitwe kuri za orodinateri zibika ibintu biboneka kuri Internet, kandi bigashirwa kuri LMS yawe, canke ukabitanga no kuri CD n'ibindi bikoresho vya inforomatike bishobora kugendanwa. Ivyo urungitse kuri Internet biboneka nk'uko wabiteguye kuri ordinatere yawe.

SCORM 1.2 – Shareable Content Object Reference Model (SCORM : Uburyo bwo gusangira no gusabikanya ubumenyi). Ubwo buryo bufasha gutegura ibigize inyigisho kandi urashobora kuvyinjiza muri LMS canke Learning Object Repository ( Ivyegeranyo vy'izindi nyigisho). SCORM ni uburyo bwo gutegura inyigisho muri inforomatike buzwi kandi bwemewe kw'isi yose.

Ariko IMS ni uburwo bworoshe bwo gutegura inyigisho ukoresheje inforomatike bushobora gukorana na LMS na Learning Object Repositories zimwe zimwe.




exe Ikiri mw'itegurwa ry'icirwa




exe Imaze gusohorwa